IJAMBO LETA Y'UBURUNDI ISHIKIRIJE RIJANYE NO GUSHIGIKIRA ABARUNDI N'IMIRYANGO IHERUTSE GUHURA N'IMPANUKA N'IBIZA BITURUTSE KW'IHINDAGURIKA RY'IBIHE.

Barundi, Barundikazi,

Namwe benegihugu muri mubihe bidasanzwe biturutse kuvyago vyatewe n'uruvura ruhitiye mu gihugu

Tugire amahoro

Tugire amahoro, ubumwe no gushigikirana.

1. Muri ino minsi, nacanecane kuva mu kwezi kwa Nyakanga 2015 gushika muri kino gihe, Imiryango itari mike yarahuye n'impanuka aho henshi muntara z'igihugu, uruvura ruvanze n'ibihuhusi hamwe n'urubura vyononye ibintu vyinshi cane kuburyo imiryango myinshi isigaye itakigira aho ikika umusaya,imirima igatwagwa n'amazi canke urubura rukayitikiza.
2. Kubera ivyo, amazu yarasambutse kubwinshi,amashure n'amavuriro birasambuka tutibagiye amabarabara n'ibiraro vyononekaye.
3. Ivyo vyose vyatumye ubukene bwiyongera mu gihugu, hanyuma ba ntahonikora basigara bifumbereje, bari mu kangaratete, aho bifuza icobagarukirako, kikabaremesha.

4. Leta y'Uburundi rero, nkuko yama ibigira mugihe cose abarundi bakeneye gushigikirwa, na cane cane mubihe nkivyo haba hadutse ivyago, yaramutse ifata ingingo yokubagendera muntumbero yo kubaremesha no kubashigikira kubera ingorane murimwo.

5. Nkako, ntanarimwe Leta y'Uburundi yokwigera yirengagiza gufasha no gushigikira abene gihugu kuko aribo ijejwe, ndetse Leta ikaba iriho kubera abanyagihugu bayishizeho.

6. Twaje rero kubagarukirako nk'umuvyeyi wanyu, twaje kubatera intege kugira ntimwihebure, ntimumere nk'impfuvyi zitagira icepfocaruguru. Leta y'Uburundi yaje ibazaniye agaseke ko kubasuhuza naho amikoro yayo muri kinogihe abayabaye.

7. Twageraqeje gukubita inzu ibipfunsi, maze turashobora kwegeranya agafashanyo dushikiriza ba ntahonikora mu bijanye n'udufungurwa hamwe n'amabati yo gusanura amazu ya ba ntahonikora yasambutse.

8. Ariko, twagomba kubamenyesha ko abakeneye gufashwa ari benshi cane kuburyo Leta yonyene itoshobora kuronka uburyo buhagije kugirango ifashe bose, arico gituma ducagura abatishoboye gusumba abandi, nabo akaba ari **nk'abapfakazi, Abagendana ubumuga butandukanye,**

abageze mu zabukuru canke abana b'impfuvyi baramutswa imiryango.

9. Twagomba rero gutera akamo abo bose bafise umutima w'ikigongwe, umutima wo gufasha abandi, ko bokwunganira Leta y'Uburundi muri ico gikorwa ciza co gufasha no gushigikira abanyagihugu bari mu ngorane zitandukanye.

10. Twagomba mbere tubonereho kano kanya kugira dushimire amashirahamwe amwamwe amaze kuza kubagarukirako.

11. Nkuko abo hambere babivuga mu myibutsa, bavuga bati "akimuhana kaza imvura ihise" kandi bati "umubanyi niwe muryango".

12. Leta yagomba gutera akamo canecane abenegihugu kugirango bashigikirane mu gihe cose bikenewe na canacane mugihe c'ivyago.

13. Kira noneho kera uwomugenzo wogufatanamunda niwo waranga abarundi, tugasaba ko bowukomeza mu kibano, gurtyo umubanyi akaba umuzimyamuriro koko, akaba umuryango.

14. Imbere yo gusozera rino jambo, twagomba gukeza bimwe bivuye ku mutima, abenegihugu berekanye ako karorero keza ko gushigikirana muri bino bihe bitarivyoroshe. Twarabonye utwoturorero hamwehamwe, nko mu ntara ya Kirundo aho abanyaguhugu bitanze, bakegeranya infashanyo z'ibifungurwa bagafasha benewabo kuko ataco bari bimbuye kubera uruvura rwinshi.

15. Twagomba canecane dusabe dushimitse abajejwe intwaro, ba Musitanteri, ba Bulamatari ngo bahimirize abo bajejwe kurongora kugira bame na ntaryo bashigikirana, bafashanya na cane cane bubihe bigoye nk'ibi duhitiyemwo bijanye n'ihindagurika ry'ibihe.

16. Leta irazi neza ko hariho bimwe bimwe batoshobora, ariko muri ivyo badashoboye bisaba uburyo bwinshi, niho Leta yobunganira, hamwe n'abandi bagiraneza.

17. Twagomba rero gusozera dusubira kubakengurukira ku kugene mwihanganye, mugashigikirana, tugasubira kandi ku basaba ko mwobandanya iyongendo nziza yo gushigikirana na kare ngo ubugirigiri bugira babiri.

18. Leta y'Uburundi isubiye kwiyemeza kuzobaguma hafi mu kubafasha no ku bakingira, mu gukora ivyo vyose izoba

ishoboye.Leta ikaba namwe ibasavye kubumbatira amahoro n'ubumwe hagati yanyu.

Tugire amahoro, tugire amahoro n'Ubumwe,umutekano n'iterambere kuri bose.

Imana Ibahezagire, yongere kandi ibazigame.

Murakoze!